MOUVEMENT INAMAHORO
FEMMES ET FILLES POUR LA PAIX ET LA SECURITE

AKAMO K'UMUHARI INAMAHORO

Guter'akamo Abanyagihugu no Kwibutsa Abategetsi kwubahiriza amabanga bajejwe.

1. BARUNDI, BARUNDIKAZI, BENE WACU: NTIMUGWE MU MUTEGO W'AMACAKUBIRI

Bavukanyi, Ncuti, Bibondo, Bene Burundi,

Umutekano n'iterambere ry'Uburundi ntibizigera vyubakirwa ku macakubiri. Mu Muhari INAMAHORO, uharanira amahoro, umutekano n'ugushigikira uruhara rw'umukenyezi mu migambi yose y'amahoro, nk'uko vyemejwe mu Ngingo ya 1325 y'Urwego rw'Ishirahamwe mpuzamakungu ONU, rujejwe umutekano, turatewe impungenge n'amajambo twumvana abategetsi bamwe bamwe, na cane cane–ijambo Umukuru w'igihugu c'Uburundi, Nyen'icubahiro Évariste Ndayishimiye, yashikirije Abanyagihugu bo muri komine Rutana, intara ya Burunga, kw'itariki ya 15 Gitugutu 2025.

Umukuru w'Igihugu Evariste Ndayishimiye yaremeje mu majambo yiwe ko abiyamiriza ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu babikora kubw"ishari rishingiye ku macakubiri" canke "uguhahamira ubutegetsi". Amajambo nkayo ni mabi cane kuko aba ariko ahuma amaso abanyagihugu ngo bibagire ayo igihugu kigowe muri kino gihe.

Imvo y'ukuri y'amarushwa Abarundi barimwo, ubukene, inzara, ibura vy'ibidandazwa vyangombwa, kubura akazi, hamwe n'ibiturire nta sano bifitaniye n'ubwoko canke umugambwe . Ivyo vyose bituruka ku butegetsi bubi no kudahana abarenga amategeko, ivyo navyo ntibitandukanya Umuhutu, Umututsi, Umuganwa canke Umutwa.

Indwara ya korera, iriko irabica bigacika mu Ntara zitandukanye z'igihugu c'Uburundi, kubera kubura amazi meza, ntitoranya, kuko yica ubwoko bwose.

Uburenganzira bwa kiremwa muntu ni bumwe kw'isi yose kandi ntibugabanywa. Abaharanira ubwo burenganzira ntibarondera **"**kurya canke kutarya**"** ku meza y'ubutegetsi, ahubwo barwanira ko agateka ka zina munyagihugu wese kokwubahirizwa atakumvangura.

Bavukanyi, benewacu, Barundi, Barundikazi, ni muhakane inyigisho z'urwanko. Amajambo abiba amacakubiri y'amoko hagati y'abanyagihugu, ntakindi nakimwe arondera atari ukubacanishamwo**, ngo baryane**.

Kugerageza kuzura akaboze k' amacakubiri ntakindi bigamije atari ukubahuma amaso no gukingira abo bose bafise inyungu mu giturire, mu kuburabuza ubutungane, n'ukudahana.

Uwo mukwiye kurwanya s'umubanyi wanyu, umwansi wanyu **n'ubutegetsi mwitoreye butariko burabatunganiriza atakuvangura,** ivyo navyo bikazana ubukene bukabije.

Ubumwe bw'Abarundi n'Intwaro ibereye ni vyo bizodushikana kuri bwa Burundi twifuza, burangwa n'ukuri, iteka n'amahoro kuri bose. Turabateye akamo ngo mubishigikire, niyo nzira yonyene izodushikana kuri ubwo Burundi bw'amahoro n'iterambere duharanira!

2. KU BARONGOZI B'UBURUNDI : AMABANGA MUJEJWE N'UGUKORERA IGIHUGU N'ABANYAGIHUGU, S'UKUBATANDUKANYA.

Nyakwubahwa Mukuru w'Igihugu,

Banyacubahiro mugize inzego za Leta,

Ibanga nyamukuru mujejwe nkuko ryanditswe mw'Ibwirizwa Shingiro kandi rigashimangirwa n'Amasezerano ya Arusha, ni iryo gukingira no gukorera Abarundi bose ata karenganyo na kamwe canke gukumira uwo ari we wese.

Ariko rero, amajambo mushikiriza mwebwe ubwanyu, nk'urwego rukuru rw'igihugu, bitera impungenge n'ibibazo vyinshi ku ntumbero mwiyemeje gufata mu mabanga mujejwe yo kurongora igihugu mu mahoro no mw'iterambere rirama atakumvangura.

Kw'igenekerezo rya 15 Gitugutu 2025, Umukuru w'igihugu c'Uburundi yagirije abaharanira agateka ka zina muntu, n'abahurikiye mu mashirahamwe y'abadaharanira inyungu za politike, ko bafise "ishari" ry'indya, mbere aratomora avug'izina rya Pacifique Nininahazwe.

Iyo si iyo nyishu nyakuri yari irindiriwe ku vyaha bikomeye, bitohozwa neza bikandikwa mu vyegaranyo vyama bishikirizwa buri gihe, kuvyerekeye ubwicanyi ndengerabutungane, ukunyuruzwa n'ugufungwa bidakurikije amategeko, ukwagirizwa kw'abantu batavuga rumwe

n'ubutegetsi, n'ugukoresha nabi ububasha bafise, ukunyaga amatongo bidakurikije amategeko n'ibindi.

Umutegetsi yiyubashe atanga inyishu ku bibazo nk'ivyo biciye mu butungane, bidaciye mu kwihakana, mu bitutsi canke mu gusamaza abanyagihugu. Kugarukana ibiganiro canke impari ku bikomere bifatiye ku moko vyo muri kahise, mu kuvuga ko "bamwe bari bafise ico bafungura abandi bariko basamira isazi ku ryinyo, canke bishwe na kwashi mu mashamba", ibi bisobanura inzira idashika kandi iteye ubwoba ifatiye kuri politike mbi itegerezwa gukosorwa mu maguru masha.

Abandi bategetsi bari mu ntwaro ntibarya umunwa mu mvugo zabo mu kugaragaza umugambi bafise wo gushigikira akarenganyo gashingiye ku gitsina, nk'uko vyashikirijwe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka, Daniel Gelase Ndabirabe, aho yemeza ko hataragera ko umurundikazi atorana. Mu nzandiko bashikirije ama sentare yo mu Burundi, abakuru ba Sentare ntahinyuzwa , Emmanuel Gateretse na Gamaliel Nkurunziza, nabo nyene bagaragaje ko umugore adafise uburenganzira bwo gutorana nk'umuhungu.

Uwundi mutegetsi wo ku rwego rwo hejuru, arongoye umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD, avuga amajambo yuzuyemwo iterabwoba, aho yemeza ko umurundi wese atemera ivyiyumviro vy'uwo mugambwe akwiriye kwicwa, ashimangira ko uwo mugambwe ufise inyigisho y'ubutegetsi bw'agacinyizo (bw'ihohotera) butazogira ikigongwe. Yongeye kwibutsa ko abategetsi ba CNDD-FDD bakorewe amacakubiri, bababaye cane bakiri bato, mu buhungiro no mu mashamba, ko rero ivyo bituma batihanganira uwo wese adashigikiye ivyiyumviro vy'uwo mugambwe. Mu majambo yiwe, Umunyamabanga Mukuru wa CNDD-FDD yamenyesheje ko umuntu wese arwanya uwo mugambwe azohura n'uruja gusenya mu gukoregwa amabi ata mbabazi.

Abanyagihugu babatoye babitezeko inyishu ku bibazo nyamukuru bibangamiye igihugu. Ukwihindukiriza ko vyose , mukavuga ngo "ubu mwakize indwara ya kwashi" mu gihe ibihumbi vy'abana b'Abarundi bakiyirwaye, bagifise inzara no gufungura nabi, vyerekana ukutagira ikigongwe no kudafata ibintu nkuko biri, kandi ivyo sivyo kwihanganira. Nk'uko vyatangajwe n'Ishirahamwe rya Leta rishinzwe ibiharuro (INSBU), abana barenga 55% baracafise ikibazo c'ugufungura nabi !

Leta ifise ibanga ryo kwubahiriza uburenganzira bwo gushikiriza ivyiyumviro, no kurinda abaharanira agateka k'abanyagihugu. Guhohotera canke kwak'ijambo abo bantu batinyuka kuvuga ukuri ni icaha gikomeye, kandi ni uguhemuka ku mabanga y'intwaro rusangi.

Ikibi nyamukuru cugarije Uburundi s'abashira ahabona ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu k'abanyagihugu, ahubwo ni ukuguma hahonyangwa ako gateka, ukury'ibiturire, ukudahana ivyaha, hamwe n'itunganywa ribi ry'ubutunzi bw'igihugu ribera mu kinyegero .

Nyenicubahiro Mukuru w'Igihugu,

Uburenganzira bwa mbere mufise s'ubwo kwigungirako ubutegetsi canke kurwany'abantu, ahubwo ni uguhagurukira nyabuna ibibazo vyugarije igihugu, mugatabara Uburundi, bukava mu bukene no mu macakubiri.

Amasezerano ya Arusha n'ibwirizwa nshingiro vyashinzwe ngo bitwibagize akabi n'amacakubiri y'amoko. Gukoresha icicaro mufise c'umukuru w'igihugu mu gusubira kwenyegeza uwo muriro w'amacakubiri n'ikimenyetso kitabesha cerekana ko mwahemukiye ugusubiza hamwe kw' Abarundi.

Nyenicubahiro Mukuru w'Igihugu c'Uburundi,

Banyacubahiro mugize inzego z'igihugu,

Nta jambo na rimwe murasohoro canke intumbero nimwe ya politike iragaragaza vyukuri umwitwarariko mufise ku banyagihugu ibihumbi n'ibihumbi bakiri mu buhungiro, hamwe n'abandi benshi bagihungiye mu gihugu hagati kubera indyane ziri mu gihugu. Mbega mwibaza ko abo barundi atari bene Burundi vy'ukuri? Mbega iyo ntitwovyita ukunanigwa canke uguhemuka ku mabanga yanyu mujejwe yo gurongora igihugu?

Umuhari INAMAHORO

Ubasavye ibi bikwirikira :

- **Guhagarika vuba bwango amajambo y'urwanko n'amacakubiri y'amoko,** kuko ivyo nta kindi bimara atari ugutoneka ibikomere bitarakira vyo mu bihe vyaheze;

- **Kwubahiriza agateka ka zina muntu,** kuko ari yo nkingi y'iterambere ry'Uburundi no kugarura ishusho nziza y'igihugu imbere y'amakungu ;

- **Kugarukana umwidegemvyo** kugira ngo abaharanira agateka ka zina muntu **n'amashirahamwe adaharanira inyungu za politike** bashobore gukora ata bwoba ;

- **Kurwanya igiturire n'uguhana ivyaha,** kuko ari vyo bihanamiye kazoza k'igihugu cacu ;

- **Gushingira ku bumwe bw'Abarundi n'ubutungane** mu bikorwa vyose vya politike no mu ngingo zose z'igihugu.

Igihugu kibahanz'amaso. Kahise kazoc'urubanza nimba mwahisemwo inzira y'amacakubiri kugira murwanire inyungu zanyu mut'igihugu mu manga canke inzira y'ubumwe ngo mukize Uburundi.

Bikozwe ku wa 24 Gitugutu 2025

Umuhari INAMAHORO,
Abakenyezi n'abigeme baharanira Amahoro n'Umutekano.